NOUVELLE LITURGIE POUR LE BURUNDI

ISHENGERO KARISIMATIKE RY'UBWEPISIKOPI MU BURUNDI

AMASENGESHO Y'ISHENGERO AJANYE N'ISANGIRA RYERANDA

ISANGIRA RYERANDA

_ INDIRIMBO
_ ABAPASITORI BAGIRE URUGENDO RUJA KU RUHIMBI
_ BASHITSE MU RUSENGERO ABANTU BOKOME AMASHI

Abantu bagihagaze bahagarike indirimbo maze uwurongora isangira ryeranda avuge ati :

Uwusengesha : Haninahazwe Imana Data, Mwana na Mutima Mweranda.
Abantu : Kandi haninahazwe ubwami bwiwe, ubu n'imyaka yose. Amen.

Guhera ku musi wa Pasika gushitsa kuri Pentekoti amajambo akurikira yosubirira ayo haruguru :

Uwusengesha : Haleluya ! Kristo yazutse !
Abantu : N'ivy'ukuri Umukama yazutse ! Haleluya !

Mu bushikiro bwa Pasika, mu misi y'ikarema no mu bindi bihe vyo kwihana

Uwusengesha : Haninahazwe Umukama aharira ibicumuro vyacu vyose.
Abantu : Imbabazi ziwe zamaho ibihe bidashira.

Maze uwusengesha asenge ati :

Imana ishobora vyose, wewe imitima y'abakwemera yama yugururiwe, ukamenya n'Ivyipfuzo vyabo vyose, kandi ata nakimwe ushobora kunyegezwa : n'urtyorore ivyiyumviro vy'imitima yacu mu kutwuzuza Mutima Mweranda wawe kugira ngo tubashe kugukunda vy'ukuri, maze tube ababereye kuninahaza izina ryawe ryeranda, kubw'Umukama wacu Yesu Kristo.

Abantu : Amen.

Abakristo bapfukamye canke bicaye hakurikireko

IMPFUNYAPFUNYO Y'AMABWIRIZWA Y'IMANA

Uwusengesha : Umwami wacu Yesu Kristo yaravuze, ati umviriza Isirayeli, Uhoraho Imana yacu niwe Uhoraho wenyene. Kandi ukundishe Uhoraho Imana yawe umutima wawe wose, n'ubugingo bwawe bwose, n'ubwenge bwawe bwose, n'inkomezi zawe zose. Iryo niryo bwirizwa rihambaye rya mbere. Hariho n'irindi rya kabiri rimeze nk'iryo naryo n'iri : ukunde mugenzawe nkuko wikunda. Nta rindi bwirizwa risumba ayo : kuko kur'ayo mabwirizwa yompi ivyagezwe vyose n'amajambo y'abavugishwa n'Imana ariyo bishimikiyeko.

Abantu Mwami, utubabarire, kandi turakwinginga kwandika ayo mabwirizwa yose mu mitima yacu.

Aya majambo yosengwa canke akaririmbwa

Mukama tugirire ikigongwe
Kristo tugirire ikigongwe
Mukama tugirire ikigongwe.

Bose bahagaze basenge canke baririmbe Gloriya. Ariko mu gihe c'ubushikiro bwa Pasika no mu Karema iyo Gloriya ntiyovugwa.

Icubahiro n'ubuninahazwa bibe ku Mana mw'ijuru, kandi amahoro yiganze kw'isi ; ku bantu Imana ikunda bakayikundira, turagusenga, turakuninahaza, tuguhaye icubahiro, turagukengurukira kubw'ico cubahiro cawe ntangere, ewe Mukama Mana yacu, Mwami wo mw'ijuru, Imana Data Mushobora vyose.

Ewe Mukama, wewe wenyene wasamwe ata gahonzi Yesu Kristo ; Ewe Mukama Mana yacu, Mwagazi w'intama w'Imana, Mwana wa Dawe wa twese, wewe ukuraho ivyaha vy'abari mw'isi, utugirire ikigongwe. Wewe ukuraho ivyaha vy'abari mw'isi ni wumve amasengesho yacu. Wewe wicaye iburyo bw'Imana Dawe wa twese, utugirire ikigongwe.

Kukw'ari wewe wenyene uri Mweranda, ari wewe wenyene Mukama ; wewe wenyene Kristo, muri kumwe na Mutima Mweranda, muri Imana ihambaye mu buninahazwa bw'Imana Dawe wa twese. Amen.

GUSENGA N'UKUNINAHAZA

Iki gihe n'ico gushimagiza Imana mu ndirimbo ariz'imico kama, n'izindi zituma Mutima Mweranda amanuka kw'ishengero, hashobora kuba ubuhanuzi, kuvuga mu ndimi bifatanije n'ukuzisigura nkuko Mutima Mweranda abihaye ishengero.

HACE HAKURIKIRA ISENGESHO RY'ISABATO

Uwusengesha : Umukama abane namwe
Abantu : Abane n'umutima wawe
Uwusengesha : Dusenge

Rya sengesho rica risengwa.

Abantu : Amen

Abantu bicare, abateguye gusoma ibisomwa vyo mw'ijambo ry'Imana bobisoma
Igisomwa dusoma kiri……*avuge ikigabane n'umurongo*

Ahejeje gusoma yovuga ati :

Iri n'ijambo ry'Imana

Abantu: Turishimire Imana.

Ibisomwa biva :

Mw'isezerano rya kera
Izaburi
Icete
Ubutumwa bweranda

Mu gihe co gusoma ubutumwa, umudiyakoni canke umupastori aza kubusoma abanza kuja gupfukama imbere y'Umwepisikopi kugira ngo amuhezagire. Bose bahagaze asome ubutumwa abanje kuvuga ati :

Uwusoma : Ubutumwa bweranda bw'Umukama
n'Umukiza wacu Yesu Kristo uko bwanditswe
n'Umweranda…….

Abantu: Icubahiro kibe icawe, Mukama wacu Yesu Kristo.

Ahejeje gusoma, yovuga ati :

Uwusoma : Ubu n'ubutumwa bw'Umukama

Abantu Ishimwe ribe iryawe Mukama wacu Yesu Kristo

HAKURIKIREKO IJAMBO RY'IMANA

UKWEMERA KW'I NIKE (bose bahagaze)

Twemeye Imana imwe, Dawe wa twese ashobora vyose, Umuremyi w'ijuru n'isi, kandi w'ibintu vyose biboneka n'ibitaboneka.

Twemeye Umukama umwe Yesu Kristo, Umwana w'Imana w'ikinege, yavyawe na Se, isi n'ibiri mw'ijuru vyose bitararemwa. Ni Imana iva mu Mana, ni Umuco uva mu muco. Ni Imana nyakuri iva mu Mana nyakuri, yaravyawe ntiyaremwe afise akameremere nk'aka Dawe wa twese, kandi ibintu vyose vyaremwe na We.

(Mu kuvuga aya majambo aciweko umurongo abantu bakwiye kuyavuga n'ijwi rinini bashize amanga).

Yavuye mw'ijuru ku bwacu kugira ngo adukize. Yambikirwa umubiri na Mutima Mweranda mu nkumi Mariya, aravuka aba Umuntu. Yabambwe ku musaraba ku bwacu atanzwe na Ponsiyo Pilato, arababazwa, arapfa, arahambwa.

Azuka ku munsi ugira gatatu nkuko vyari vyaranditswe. Araduga aja mw'ijuru, ubu avyagiye i buryo bwa Dawe wa twese. Azogaruka n'icubahiro cinshi, aje gucira urubanza abazoba bakiriho n'abazoba barapfuye, ubwami bwiwe buzokwamaho.

Twemeye Mutima Mweranda, ni We Mukama kandi Umuhanyi w'ubuzima, akomoka kuri Dawe wa twese na Mwana, asengerwa hamwe, agahimbazanywa na Dawe wa twese na Mwana. Yavugiye mu kanwa k'abahanuzi.

Twemeye yuko hariho ishengero rimwe Katolika ryeranda, rituruka ku batumwa. Twemeye umubatizo umwe wo gukurwako ibicumuro. Turorereye ukuzuka kw'abapfuye, n'ubuzima bwo mugihe kizoza. Amen

AMASENGESHO Y'ISHENGERO

Umudiyakoni, uwusengesha canke umwe mu bakristo arongore aya masengesho avuge ati :

Dusengere ingoma yose ya Kristo, ishengero n'isi yose :

Uko uwusengesha ahejeje isengesho, abakristo bakwiye kwitabira n'amajambo yo hepfo y'isengesho ryose

· Dawe wa twese, dusengeye ishengero ryeranda ryawe katolika ;
· Abantu : kugirango twese tube umwe

· Turagusavye ngo uwo wese agize iryo shengero agukorere mu kuri no mu kwicisha bugufi ;
· Abantu : Kugirango izina ryawe rihabwe icubahiro n'abantu bose.

· Dusengeye abepisikopi bacu, abapasitori n'abadiakoni ;
· Abantu : Kugirango babe abizigirwa mw'ijambo ryawe n'amasakaramentu batanga.

· Dusengeye abakuru b'intwaro, Perezida wa Republika n'abafasha biwe, n'abandi badufiseko ubushobozi mu bihugu vyose vyo mw'isi ;
· Abantu : Kugirango kur'iyi si habe ubutungane n'amahoro.

· Turagusavye ubuntu bwo gukora ivyo ushaka muvyo dukora vyose ;
· Abantu : Kungirango ibikorwa vyacu vyemerwe nawe.
· Girira ikigongwe abo bose bababazwa mu buryo ubwo aribwo bwose.
· Abantu : Kugirango baruhurwe imibabaro yabo.

· Turagusavye ngo uhe ubuzima butazohera abo bose basezeye iyi si bakwemera ;
· Abantu : Umuco w'ibihe vyose wame uboneka kuribo.

· Turagutazira kubw'aberanda binjiye mu munezero wawe ;
· Abantu : Natwe uduhe gusangira ako kanyamuneza mu bwami bwawe bwo mw'ijuru.

· Nimuze dusengere imitwaro yacu niy'abo bose twoba tuzi canke tutazi ;

Muri ico gihe ishengero rirashobora kwongerako ayandi masengesho. Maze uwusengesha agasozera n'isengesho ry'uwo munsi.

ISENGESHO RYO KWIHANA IBICUMURO

Umudiyakoni canke uwusengesha : Nimuze twihane ibicumuro vyacu ku Mana Mushobora vyose.

Abantu bapfukamye bovuga aya majambo :

> Mana ishobora vyose, Se w'Umwami wacu Yesu Kristo, Umuremyi w'ijuru n'isi, Umucamanza w'abantu bose : twemeranye umubabaro ivyaha n'ibicumuro vyinshi, ivyo twakoze nabi rwose, rimwe na rimwe, mu vyo twiyumviriye, no muvyo twavuze, no muvyo twakoze, ducumura ku cubahiro c'Ubumana bwawe, ducumura kuri bene wacu, turihanye rwose, tubabajwe mu mutima wose n'ivyo bicumuro vyacu. Kubw'Umwana wawe Yesu Kristo, utugirire ikigongwe, kugirango tugume mu rukundo rwawe kandi tugendere mu nzira zawe. Mu buninahazwa bw'izina ryawe. Amen

Iyo Umwepisikopi ahari canke uwundi mu Pastori mukuru abe ariwe asenga iri sengesho :

> Imana ishobora vyose, Dawe wa twese wo mw'ijuru, yasezeranye kubw'imbabazi zayo nyinshi guharira abayihindukirira, bihanye mu mitima yabo rwose, bizeye vy'ukuri ibagirire ikigongwe, ibakize ivyaha vyanyu vyose, ibaremeshe, ibahe ububasha bwo gukora ivyiza vyose, ibashitse mu bungingo budashira : kubwa Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

KURAMUKANYA AMAHORO

Bose bahagaze uwusengesha avuge ati :

> Amahoro y'Imana ahorane namwe imisi yose.

· Abantu : Yongere ahorane nawe.

Abakozi b'Imana bari ngaho n'abakristo bafatanye kuramukanya amahoro mw'izina ry'Umukama.

GUTANGA AMASHIKANWA N'IBIGIRACUMI.

Isengesho rimwe muyakwirikira ryovugwa.

_ Muhe Umukama wacu icubahiro gikwiranye n'Izina ryiwe ; muzane amashikanwa n'ibigiracumi mwinjira mu birimba vyiwe.

_ Mugendere mu rukundo nkuko Kristo nawe yadukunze akitanga ku bwacu, akatubera ishikanwa rizima ry'umubabwe umota neza ku Mana.

_ N'uko rero ndabinginga bavukanyi, kubw'imbabazi z'Imana mutange imibiri yanyu nk'ishikanwa rizima, ryeranda ryemerwa n'Imana, iryo niryo kuyikorera kwanyu kw'ukuri.

Indirimbo yo gushikana

GUSHIKIRIZA IMANA IVYATANZWE

Uwusengesha akirize ibigiracumi n'amashikanwa canke akirize ivyimburwa vyashikanywe, hanyuma ace akiriza umukate n'umuvinyu avuga ati :

Uwusengesha :

Uragahezagirwa wewe Mana y'ivyaremwe vyose. Kubwo kugira neza kwawe, twaronse ibigiracumi, ivyimburwa n'aya mashikanwa, bitubereye ikimenyetso c'ubuzima n'ubutame vyacu. Turagusavye ngo bize bikoreshwe mw'ishengero ryawe kubw'igikorwa washize imbere yacu, duharanira ubwami bwawe butazohangura ;

Abantu: Imana yacu iragahezagirwa ibihe bitazoshira.

Uwusengesha :

Uragahezagirwa wewe Mana y'ivyaremwe vyose. Kubw'ukugira neza kwawe turonse uyu mukate wo kugushikanira wavuye mw'isi ukozwe n'iminwe y'abana b'abantu, ngo utubere umubiri wa Kristo.

Abantu: Imana yacu iragahezagirwa ibihe bitazoshira.

Uwusengesha: Mukama Mana yacu nkuko turiko turavanga amazi n'uyu muvinyu mu kimenyetso c'ubumwe bw'ubumana n'akameremere ka muntu muri Yesu Kristo, twebwe tugira tunywe iki gikombe, n'uduhe gusangira mu bumana bwa Kristo yicishije bugufi mu gusangira n'abaremwe bose. Amen

Uwusengesha Mukama Mana yacu, Mukama Mana

y'ivyaremwe vyose, kubw'ukugira neza kwawe, turonse uyu muvinyu wo kugushikanira wavuye mu vyamwa vy'umuzabibu no mu maboko y'abana b'abantu, kugirango uduhindukire amaraso ya Kristo.

Abantu: Imana yacu iragahezagirwa ibihe bitazoshira.

Uwusengesha: Bavukanyi musenge kugirango iri shikanwa rishimwe n'Imana yacu Dawe mushobora vyose.

ISHIKANWA RIKURU

Abantu bahagaze uwusengesha avuge abaraba ati :

Uhoraho abane namwe.
Abantu : Abane n'umutima wawe.

Uwusengesha : Mucurure imitima yanyu.
Abantu : Tuyerekeze ku Mukama.

Uwusengesha : Nidushimire Umukama Imana yacu
Abantu : birakwiye kandi biratunganye.

Uwusengesha abandanye n'aya majambo

Niko birakwiye kandi biratunganye ko twokuninahaza tukagukengurukira imisi yose na hose, wew muvyeyi mweranda wamaho, umuremyi w'ijuru n'isi.

Ku misi mikuru hano hakurikereko Amajambo yagenewe uwo munsi, ku yindi minsi hakurikireko aya majambo :

Kubw'ivyo turagutazira, twifatanije n'abamarayika, n'abamarayika bakuru, hamwe n'isinzi ry'aberanda bose n'ingabo zo mw'ijuru zose bamwe bama bagutazira ubudasiba baririmba iyi ndirimbo bahimbaza n'icubahiro izina ryawe tuvugire hamwe tuti :

Uwera, Uwera, Uwera, uhoraho Mana Nzima, ijuru n'isi bisazwe n'ubuninahazwa bwawe, Hoziyana ahasumba amajuru. Arakaninahazwa uwuje w'izina ry'Umukama, Hoziyana ahasumba amajuru.

AMASENGESHO Y'ISANGIRA RYERANDA « A »

Abantu bahagaze canke bapfukamwe uwusengesha abandanye ati :

Icubahiro kibe icawe Mana ishobora vyose, Dawe wa twese wo mw'ijuru kuko ku bwawe no kubw'imbabazi zawe nyinshi watanze umwana wawe w'ikinege Yesu Kristo kubabazwa urupfu rwo ku musaraba kugira ngo adukize ibicumuro. Kur'uwo musaraba yataze ishikanwa rizima ritagira agasembwa ariryo we nyene ngo akureho ivyaha vy'abari mw'isi . Ashiraho icibutso c'urupfu rwiwe rw'igiciro kinini kitazoshira, adutegeka mu butumwa bwiwe bweranda ngo twame tubikora tumwibuka, gushitsa aho azogarukira.

Hamwe n'ivyo Dawe wa twese, twebwe twacunguwe na We , tugahindurwa ivyaremwe bisha mu mazi na Mutima Mweranda, ubu tukuzaniye izi ngabirano. Zihezagire uzezeshe

Mutima Mweranda wawe kugira ngo zihinduke umubiri n'amaraso vya Yesu Kristo Umukama wacu.

Ariko aravuga aya majambo afate umukate canke awurambikeko ibiganza. No ku gikombe c'umuvinyu canke ico cose gihava gikoreshwa abigenze gurtyo nyene.

Kuko muri rya joro bamuguriramwo, yafashe umukate, amaze kugukengurukira, arawumanyagura, awuhereza abigishwa biwe avuga ati : Ni mwakire murye, iki n'umubiri wanje utanzwe ku bwanyu. Murama mukora ibi munyibuka.

Bahejeje gufungura agira nk'uko nyene, yakira igikombe c'umuvinyu, amaze kugishimira Imana agihereza abigishwa biwe avuga ati :

Ni munywereko mwese, kuko aya ari amaraso yanje y'isezerano rishasha, aza guseswa ku bwanyu no ku bwa benshi kugira ngo abakize ibicumuro. Murama mukora murtya igihe cose muzonywa kuri iki gikombe, mubikore munyibuka.

Kandi twifuza cane ko kubw'ubuvyeyi ntangere tugufiseko, ukugira neza kwuzuye imbabazi, ngo wakire iri shikanwa ry'ishimwe no gukenguruka. Turagusavye twicishije bugufi cane kugira ngo kubw'urupfu rw'Umwana wawe Yesu Kristo, no mu kwizera impongano y'amaraso yiwe, twe n'ishengero ryose, turonke iciru c'ivyaha vyacu hamwe n'ibindi vyiza vyose twazaniwe n'imibabaro yiwe.

Hamwe n'ivyo Mana yacu, turakwishikaniye ubwacu, tuguhaye imitima n'imibiri yacu, kuba ishikanwa rizima ryeranda riguhimbara, tugutakambira ngo twe n'abo bose baza gusangira natwe muri iri sakramentu ryeranda, tuboneke nk'abakwiye kwakira izi mfungurwa z'igiciro kinini z'umubiri n'amaraso vy'Umwana wawe Yesu Kristo, maze twuzuzwe ubuntu n'imihezagiro yo mw'ijuru, duhinduke umubiri umwe hamwe na We, kugira ngo abe muri twebwe, natwe tube muri We.

Kandi naho tutabereye kugushikanira ishikanwa iryar'iryo ryose, kubw'ivyaha vyacu vy'umurengera, turakwinginze kwakira iri rishakanwa ryacu n'ukugukorera, ubikore atar'uko tubibereye, ahubwo utugirira ikigongwe c'ibicumuro vyacu ku bwa Yesu Kristo Umukama wacu ;

Kubwiwe, ✚ hamwe na We, ✚ mu bumwe bwa Mutima Mweranda, ✚ icubahiro n'ubuninahazwa bibe ivyawe Dawe ushobora vyose, ubu n'imyaka yose. Amen.

Canke uwusengesha yotora iri sengesho

AMASENGESHO Y'ISANGIRA RYERANDA « B »

Abantu bahagaze canke bapfukamwe uwusengesha abandanye ati :

Turagukomeye amashi Dawe wa twese Mweranda, ubereye gushimirwa mu ubushobozi bwawe ntangere. Ibikorwa vyawe vy'inkomezi vyerekana ubwenge bwawe n'urukundo ntagereranywa. Waturemye mw'ishusho yawe, utugabira isi ngo tuyibungabunge, kugira ngo mu kukugamburukira kwacu Muvyeyi mwiza, tuze tuganze kandi dukorere ivyaremwe vyawe.

Igihe ubugaba bwacu bwadutandukanya nawe, ntiwigeze uduhebera ububasha bw'urupfu. Kubw'ikigongwe cawe waraje kudutabara, kugira ngo nitwakurondera tukubone. Ubugirakandi waduhamagariye mw'isezerano ryawe, ukoresheje abahanuzi utwigisha kwizera agakiza kawe.

Dawe, warakunze isi cane kuburyo mu gihe gikwiye cawe warungitse umwana wawe w'ikinege kutubera umucunguzi yagizwe umuntu na Mutima Mweranda, avyarwa n'inkumi itagira agahonzi Mariya, abana na twe nk'umwe muri twebwe ariko azira igicumuro. Ku bakene n'aboro yavuze Ubutumwa bwiza bw'icungurwa, kubari mu mvuto avuga Ubutumwa bwo kubohorwa, kubari mu gatengo n'imibabaro, avuga Ubutumwa bw'umunezero. Kugira ngo arangure ico wamutumye, yaritanze we nyene ku rupfu hanyuma azuka mu bapfuye amenaguye uruboyi rw'urupfu, ahindura ivyaremwe vyose kuba bishasha.

Kugira ngo ntituze twongere kubaho ku bwacu gusa, ariko tubeho kubw'Uwo yapfuye akazuka ku bwacu. Yaturungikiye Mutima Mweranda atanzwe nawe Dawe, iyo niyo ngabirano ya mbere yahaye abo bose bamwizera, kugira ngo arangize igikorwa ciwe mw'isi, azanye ubweranda bushitse kuri bose.

Mu kuvuga amajambo akurikira, uwusengesha afate umukate canke awurambikeko ibiganza. No ku gikombe c'umuvinyu canke ikindi cose kiza gukoreshwa abigenze gurtyo nyene.

Uhoraho Mana, turagusavye ngo mu rukundo rwawe n'imbabazi turonke Mutima Mweranda aze amanukire kuri izi ngabirano, azitagatifuze yerekana ko ari ingabirano zeranda ahaye abantu bawe ; arizo umutsima w'ubuzima n'igikombe c'agakiza kacu biduhindukiye Umubiri n'Amaraso vy'Umwana wawe Yesu Kristo. Mukama, turagusavye ngo abo bose baza gusangira uyu mukate n'uyu muvinyu babe umwe mu mubiri no mu mutima, babe ishikanwa rizima muri Kristo Yesu, mu buninahazwa bw'izina ryawe. Igihe kigeze washimagije Umwana wawe uri Imana Se, nawe agukundira abo wamuhaye aribo twebwe gushitsa ibihe vyose.

Hageze gufungura ari kumwe nabo yakira umukate, amaze kugukengurukira, arawumanyagura, awuhereza abigishwa biwe avuga ati : Akira murye uyu n'umubiri wanje utanzwe ku bwanyu. Murama mukora murtya munyibuka.

Bahejeje gufungura yakira igikombe c'umuvinyu, amaze kugukengurukira, arakibahereza avuga ati : Ni munywe mwese, aya n'amaraso yanje y'isezerano rishasha, aza guseswa ku bwanyu no ku bwa benshi ngo abakize ibicumuro. Igihe cose muzonywera kuri ico gikombe, muze mwame mubigira munyibuka.

Kubw'ivyo Dawe wa twese, tugomba kwatura twese ico gitangaza c'ukwemera kwacu.

Uwusengesha afatanije n'ishengero bavuge n'ijwi rirenga bati :

Kristo yarapfuye
Kristo yarazutse
Kristo azogaruka

Uwusengesha abandanye ati :

Dawe wa twese, turiko turahimbaza iki cibutso c'icungurwa ryacu, twibuka urupfu rwa Kristo n'ingene yamanutse i kuzimu mu bapfuye, twatura ukuzuka kwiwe n'iduga ryiwe mwijuru aho yicaye iburyo bwawe. Turorereye ukugaruka kwiwe mu cubahiro tugushikanira umubiri n'amaraso vyiwe arivyo shikanwa rizima riguhimbara, vyavuyemwo agakiza k'ab'isi bose. Wibuke Mukama, ishengero ryeranda rimwe rudende Katolika ariryo shengero ry'abatumwa bambere, ryacunguwe n'amaraso ya Yesu ariwe Kristo wawe. Uryereke ubumwe, ubungabunge ukwemera kwaryo, kandi uriragirire mu mahoro.

Ibuka abungere bacu badutumye kugushikanira iri shikanwa, cane cane Randolufu, umupatriyarshe wacu akaba n'umwungere w'ikirenga wacu, Howard Dale Umwepiskopi Mukuru wa Province yacu, Philipo Umwepiskopi wacu, Ibuka Archidiconi wacu hamwe n'abandi bakozi bagukorera mw'ishengero ryacu. Ibuka abantu bawe hamwe n'abo bose badasiba kurondera ukuri kwawe. Ibuka abo bose basezeye isi mu mahoro ya Kristo, hamwe n'abo bose ukwemera kwabo kuzwi nawe, ubazane mu muco n'umunezero wawe.

Kandi Dawe wa twese w'imbabazi nyinshi, turagusavye ngo tube abaraganwa n'Umuvyeyi mweranda Bikira Mariya nyina w'Imana, na Yosefu mweranda , aba patriyarshe, abahanuzi, abatumwa, abamaratiri, n'aberanda bose bakiriwe nawe mu myaka yaheze. Turagutazira twifatanije nabo kuguha icubahiro mw'izina rya Yesu Kristo Umukama wacu.

Ku bwa Kristo, hamwe na Kristo, no muri Kristo nyene, icubahiro n'ubuninahazwa bibe ivyawe, Mana ishobora vyose, Dawe wa twese, mu bumwe bwa Mutima Mweranda, ubu n'imyaka yose, Amen.

ISENGESHO RY'UMUKAMA WACU YESU KRISTO

Nkuko Umucunguzi wacu Yesu Kristo yatwigishije tuvuge dushize amanga tuti :
Dawe wa twese uri mw'ijuru ;
Izina ryawe nirishemezwe ;
Ubwami bwawe ni buze ;
Ivy'ushaka ni bigirwe kw'isi nko mw'ijuru ;
Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi ;
Utubabarire ibicumuro vyacu, nkuko natwe
Tubabarira ababitugirira ;
Ntutureke ngo tuje mubitwosha nabi ;
Yamara udukize wa mubi ;
Kuko ari wewe ugaba vyose ;
Ukaba nyen'inganji n'icubahiro ;
Mu myaka yose Amen.

KUMANYAGURA UMUKATE

Uwusengesha amanyure umukate wahezagiwe. Iki gihe kibe ic'agacerere. Hanyuma abantu bavuge canke baririmbe bati :

Alleluya, Kristo ariwe gucungurwa kwacu atanzwe ku bwacu, ni muze rero turye kuri aya mazimano y'akanyamuneza. **Alleluya !**

Mu gihe c'ikarema iyi Alleluya ntiyovugwa. Irashobora n'ukutavugwa kuyindi misi kiretse mu misi ya Pasika. Iryo sengesho ritavuzwe, uwusengesha yoraba abakristo avuga aya majambo yo gutumira ati :

Ng'izi ingabirano z'Imana ku bantu bayo !

Ashobora kwongerako ati :

Muzakire, mwibuka ko Kristo yabapfiriye, mumufungure n'imitima ikenguruka.

Abakozi b'Imana nibo batangura gusangira hanyuma bagaca basangiza abakristo. Umukate udimbwe mu muvinyu awuhe umukristo avuga ati :
Umubiri n'amaraso vy'Umukama wacu Yesu Kristo bikuzigame ibihe vyose. Amen.

Canke ataradimba umukate avuge ati :
Umubiri wa Kristo, umutsima w'ijuru. Amen

Ariko aradimba avuge ati :

Amaraso ya Kristo, igikombe c'agakiza kacu. Amen

Igihe bariko barasangira, indirimbo, amazaburi, canke izindi ndirimbo zo gutazira dukurikije amajwi yo mu mvyino kavukire vyosamirana. Abasangira badakwiwe n'ivyahezagiwe, umupastori yohezagira ibindi akoreshe isengesho rirangiza aya masengesho.

Isangira riheze uwarirongoye yovuga ati :

Dusenge.

MAZE AFATANYE N'ISHENGERO IRI SENGESHO :

Uhoraho Mana Dawe wa twese wo mw'ijuru, kubw'ubuntu bwawe watwemeye nk'abanywanyi bazima b'Umwana wawe Yesu Kristo, maze uratugaburira ibi vyokurya vy'impwemu mw'isakaramentu ry'umubiri n'amaraso vyiwe. Turungikane amahoro yawe mur'iyi si, kandi uduhe kurinda inkomezi z'umwansi, mu rukundo no kugukorera tunezerewe n'umutima umwe, mwizina rya Yesu Kristo Umukama wacu. Amina.

Iyo Umwepiskopi ahari yotanga umuhezagiro wo kurangiza, canke umupastori yobikora avuga ati :

Amahoro y'Imana arengeye ko yotahurika ateramire imitima yanyu n'ivyiyumviro vyanyu kugira ngo mwame mumenya, mukunda Imana n'Umwana wayo Yesu Kristo Umwami wacu :

Kandi umuhezagiro w'Imana ishobora vyose, Dawe wa twese ✚ na Mwana ✚ na Mutima Mweranda ✚, ube muri mwebwe kandi ugumane namwe ubu n'imisi yose. Amina.

<u>INDIRIMBO YO GUSHENGURUKA</u>

Ni muze dushenguruke mw'izina rya Kristo
Ishengero : tubishimire Imana.

==========

N.B. : Igihe Umukate n'umuvinyu vyahezagiwe bitashoboye gukwira abantu baje gusangira, uwarongoye iryo sangira yogaruka kuri altari agahezagira ibindi avuga iryo sengesho.

Twumve se Mana Data wo mw'ijuru, mw'ijambo ryawe na Mutima Mweranda, tagatifuza uyu mukate (canke uyu muvinyu) kugirango nawo uhinduke isakaramentu ry'umubiri (amaraso yawe) w'Umwana wawe Yesu Kristo Umukama wacu, we yafashe umukate (igikombe) akavuga ati : Iki n'umubiri wanje (amaraso yanje). Amina.